IJAMBO RISHIKIRIJWE ABARONGOYE IGISAGARA CA BUJUMBURA NA AMBASSADEUR PIERRE CLAVER NDAYICARIYE, UMUKURU W'UMURWI CVR USHINZWE GUTOHOZA UKURI NO KUNYWANISHA ABARUNDI KU WA KANE, ITARIKI 22 MUKAKARO 2021

Nyakwubahwa Mukuru w'igisagara ca Bujumbura,

Banyakubahwa mwaje muserukira ibiro vy'Umukuru w'igihugu n'Umushikiranganji wa mbere,

Banyakubahwa mwaje muserukira Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka,

Ba Nyakwubahwa Mwaserukiye Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu,

Banyakubahwa murongoye amakomine agize igisagara ca Bujumbura,

Ba Nyakwubahwa murongoye amazone,

Ba nyakwubahwa murongoye amakaritiye,

Bakomiseri namwe bakozi b' Umurwi CVR dusangiye ubutumwa,

Bashingantahe, Bapfasoni,

Munkundire dushimire Imana Rurema ku vyiza ikorera igihugu cacu. Nshimire kandi mwese mwatwitavye uno munsi mutwereka ko mushigikiye ubutumwa bw'Umurwi CVR ushinzwe gutohoza amakuba yazingamitse igihugu n'imiryango hamwe no kunwanisha Abarundi.

Mu gutangura rino jambo, twagomba tubanze kandi dushime ikaze mwatwakiranye muri ino ngoro y'amanama, kugira ngo tuganire ibikorwa n'ubutumwa umurwi CVR washinzwe n'inzego z'igihugu.

Nk'uko mubizi, Umurwi CVR umaze igihe utohoza ingene agateka ka zina muntu kahungabanye mu mwaka wa 1972. Tumaze imisi itari mike dukorera mu ntara z'igihugu. Twahereye i Karusi ku mutumba Bukirasazi muri Komine Shombo, tuhakura ibisigarira vy'abantu bishwe 7348 ; i Gitega muri Komine Giheta , ahitwa Mashitsi : twahakuye 1751, ahitwa ku ruzi Nyambeho : twahakuye 204 ; ahitwa Nyabunyovu : twahakuye 902.

Mu Bumanuko bw'igihugu aho umurwi CVR umaze gukorera, mu Rumonge, n' i Nyanza-Lac : tumaze kuhatora ibisigarira vy'abishwe 1435. Twarakoreye muri komine zose za Makamba ; twarakoreye i Bururi. Abishwe batowe ibisigarira birababa 3008.

Ariko nkuko umurwi CVR wama ubishikiriza Abarundi n'amakungu hari abishwe benshi basangukiye mu mashamba, abandi batawe mu nzuzi. Hariho n'ibinogo vyinshi umurwi utaratora kuko ababizi batinya canke batipfuza kubitwereka.

Banyakubahwa mwese,

Mu minsi iheze naho, mwaravyumvise duheruka mu ntara ya Muyinga aho twashoboye kwegeranya ibisigarira vy'abishwe 452. Muri Kirundo habonetse abarenga 157. Mu majambo make, turamaze kuronka amakuru ku vyabaye muri izo ntara ahatari hake

ku vyerekeye iyicwa ry'abantu isinzi bahitanywe n'urwimo rw'agahomerabunwa rwatanguye itariki 29 Ndamukiza 1972. Ivyo bisigarira twadondaguye twarabishize mu bubiko bw'imfatakibanza.

Ariko ubutumwa bw'uyu murwi CVR bushigikirwa n'amakuru duhabwa n'abapfakazi n'impfuvyi zaciye muri ayo makuba ; abakozi ba Reta, abacamanza canke abasirikare bakukurutse bemeye kubwira umurwi ivyo babonye. Ivyo vyitwa « Auditions des témoins » canke « Auditions des personnes ressources ». Turafise n'abacikacumu bagarukiye ku cobo baduha inkuru ; turamaze kuronka n'abanyonga ibiduga vyimvye ibinogo vyatawemwo abantu ; canke abatwara amakamyo ashomba abishwe.

Banyakubahwa mwese,

Uno musi uri hejuru, Umurwi CVR waramutse uganira n'inzego zirongoye igisagara ca Bujumbura kugira turabire hamwe ingene twotohoza ukuri ku mabi yahekuye imiryango mu 1972 hano mu gisagara ca Bujumbura. Bujumbura cari igisagara gikuru c'igihugu.

Aha rero nta nkeka,dushikiriye ku ntimatima y'aho ingingo zafatirwa kera mu gihe c'urwimo rwahekuye Uburundi. Dushitse hano, mu gisagara ca Bujumbura, ahahoze ari Umugwa Mukuru w'igihugu, ngo mudufashe kurondera abaduha ido n'ido ry'inkomoko y'akabi n'akabibi kabaye ico gihe ntavuze n'iyo kazananye.

Umurwi CVR uzobumviriza. Abakuze bakiriho bazotuyagira ivyo babonye n'ivyo bibuka ; ivyabashikiye ; canke ivyashikiye imiryango yabo. Muzotwereka ahoba hari ibinogo vyatawemwo abishwe mu rwimo.

Mw'ijambo rimwe, Umurwi CVR ugiye gutangura gutohoza ukuri kwerekeye igisagara ca Bujumbura n'imicungararo yaho. Ibikorwa